Bible lessons. Lesson 34 SAYING NO WHEN OTHERS SAY YES
**Genesis 39:1-23**
**Memory verse: "No temptation has taken you except what is common to man." 1 Corint. 10:13**

**KUVUGA OYA, IGIHE ABANDI BOSE BAVUGA EGO.**
Icirwa 51
**Itangur. 39:1-23**

Ijambo ngnderwako : **« *Nta cabagerageje kitari ico umuntu yoshobora kwihanganira* » I Kor. 10:13**

**I. Intangamarara.**

Turagiye kwiga icirwa carekana imanga ikomeye benshi baguyemwo canke iri imbere yabo yasamye kugira uyu canke uwundi akorokeremwo. Ubusambanyi. Iki caha kiradodora k'urugi rwa mbenshi, abagore n'abagabo/ imisore n'inkumi. Uwo tubona yashoboye kwishura « OYA »igihe abenshi bovuga « EGO » ni uyu musore Yosefu imbere ya muka Potifari. Twomukomera amashi.

**II. Yosefu ashika muri Egiputa**
Yosefu yagurishijwe na benewabo intete z'ifeza 20 angana na dollard Amerika \$4.50 amarundi ni 4.50 x 1930 = 8685fbu. Aya babona ko akwiye kuko ivy'igiciro ntaco bari babibabaye, bo bashaka kwikiza uwo bita « Karosi » kuko bari babizi neza ko izo ndoto zitegerezwa kuzoshika, kandi nabo bakumva batokwemera kumwunamira. Atwarwa muri Egiputa, agurishwa kwa Potifari.

Egiputa muri iki gihe cari igihugu giteye imbere kubera ubufundi mu kubaka za pilamides ndende, ubuvuzi, ibiharuro, ... ibi Yosefu abihitiramwo, aca aba umuhinga no kurusha benshi muri bo.

**III. Yosefu atangura ibikorwa kwa Potifari**
Potifari yari umwishikira kwa Farawo, kuko niwe yatwara ingabo zimucungera. Ni ivyumvikana ko yari umutunzi. Yosefu agurwa nawe, ajanwa munzu y'umunyacubahiro, nziza, abantu baho bafise isuku, bize, bavyibushe, bacungerewe. Ahabwa akazi ko munzu. Arakora. Imisi iraca iyindi iraza.

**IV. Ubwizigirwa bwa Yosefu mu mirimo.**
Umurong wa 2 : Uhoraho abana na Yosefu, bituma ivyo akora vyose bija imbere. Iri jambo « ***Uhoraho abana na Yosefu.*** » riboneka incuro ndwi muri iyi

nkuru. Ibi vyatumye Potifari amuha ubukuru ku bandi bagurano biwe. Yosefu yari umwizigirwa ku Mana no kuri shebuja : **Kolos.3 :22a** « *Bashumba mwumvire ba shobuja bo mu mubiri muri vyose, atari iyo babahagarikiye gusa…* » Yosefu yari yarafashe ingingo yo kuba umwizigirwa ku Mana no mu bantu bidasubirwamwo Imana irabimufasha. Iki nico catumye shebuja amukura mu kibanza c'abagurano, akamushira mu kibanza c'umukuru mw'abo mu rugo rwiwe.

Aha haraboneka ubwoko butatu bwamageragezwa Yosefu yategerezwa guhura nayo :

1. **Amaronko y'ubutunzi** : Nk'umusore yagurishijwe yarashobora kwibwira ngo : aka ni akaryo ngo nze ndatora bike bike kuri ibi vya databuje kugira nanje nze ngire ubutunzi. Ariko aravuga ati : Oya ni ubuhemu. Abenshi barahemuka iyo babajeje igikorwa kanaka. Bagahinduka abasuma batekereje. Bo bivugirango : ntahandi tuzohurira.
2. **Ukwishira hejuru** : Abenshi iyo bahawe ibibanza vy'iteka, bariduza, kugeza naho kukuramutsa usanga binzimvye cane, hari nababikora mu gikorwa c'Imana bakibagira ko Yesu atwita abigishwa biwe twese.

3. **Ubusambanyi** : Aha kubera ikibanza yashizwemwo, yokwibwiye ati : Ni aka karyo nyene ngo mbonane n'umwigeme nokwipfuza wese.

**V. Yosefu ahagarara adatsinzwe mu kigeragezo ca inabuja**

Uwo mugore aramubwira ati « Ingo turyamane »**umurong. Wa 7,12** yari yaramwipfuje igihe kitari gito, ntiyabuze kubimwereka mutwo amugabira, mu majambo amubwira ; Uri mwiza, ndagukunda,… kahise kerekana ko ico gihe abagore bo muri Egiputa igihe cose baba bashatse umugabo, barabimwibwirira kandi barakunda cane ico gikorwa. Ico kwibaza ni iki. Mbe uwo mugore yashatse Yosefu kuri urwo rugero, ni uko umugabo wiwe atamuronka ? canke nta nkomezi yari afise zo kumushimisha ?

- Yosefu amwishura ati : « OYA » **umur. 8.** Ari wewe wari kwishura gute ? ingingo yawe ni bwo buzima bwawe.

Impamvu zitatu zatumye Yosefu yihakanira gusambana n'uwo mugore :

1.Nkabikora, ndaba ntakaje ubwizigirwa bwose nari mfise imbere ya databuja Potifari. Umur. Wa 8

2.Nkabikora, ndaba ncumuye ku Mana yo mw'ijuru, uko yanyizera, mbe ndamutetereje muri iki gihugu c'abanyamahanga. Oya. Sinemera. **Umuro wa 9.**
3. Nkabikora, ndaba canfuje ishusho yanje ubwanje. Icubahiro canje, mbe ndagikavye no kuryamana na mabuja. Mpinduke akabarore muri iki gihugu.

Aribwira ati : « oya ntavyo nemera, nihabe icobaye ariko ndemera gupfana ubwizigirwa imbere y'Imana yo ibona ukuri kwanje »
Uku niko uwamenye Imana, akaba yapfuye ku caha yategerezwa guhagarara imbere y'icaha icarico cose.

**VI. Yosefu ahembwa agasho.**
Akama abibwira Yosefu uko bukeye. Uko niko Satani atarambirwa igihe cose yipfuje kukurwisha mu caha, akoresha ubwenge bwose ; udahagaze, wokwibwira ko ari igikorwa c'umuco kivuye ku Mana. . **II Kor. 11:14** « *kuko na Satani yigira umumarayika w'umuco* »

Umuron. Wa 11.werekana ko atari akibimusaba, ahubwo yateguye kumufata ku nguvu. Aramucakira, Satani nawe ati : « Reka kwigira akajuju Yosefu bikore. » Yosefu ati : « ku caha OYA » amutana umwambaro mu maboko aritumukira. Iyumvire ubumaramare n'uburakari Muka Potifari yasigaranye. Umugabo aje, aramurega amubeshera nawe amushira mu gasho. Yazize iki ?

**VII. Gushira mu ngiro / Ubwizigirwa mu gihe c'ikigeragezo**
Abenshi berasemerera ko bamenye ukuri kw'ijambo ry'Imana, ariko ntibabura gukorokera muri izi mva : ubutunzi, icubahiro n'ubusambanyi. Kunesha mu kigeragezo birashoboka, biraterwa n'agaciro uhereza Umurimo w'Imana n'ubuntu bwawe ( your personality). Yosefu yari kumwe n'Imana, aranesha. Nawe ni wiyegurire Imana uzotsinda kibe icubahiro. **Nshobozwa vyose n'uwumpa inkomezi. I Fil 4:13.** Azoguha inkomezi, igihe abandi bavuga *ego* uzoshobora kuvuga *oya* imbere y'icaha. Niba uvyizeye wohaguruka ugasenga.